**ISHIRAHAMWE RIHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI ''ITEKA''**

***Ryemejwe n'itegeko nshikiranganji n°530/0273 ryo kuwa10 Munyonyo1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa6 Ruhuhuma1991***

# *ICEGERANYO C'UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI « ITEKA » KU NYIFATO Y'AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI MU KWEZI KWA MYANDAGARO 2026*







***Uwo uri wese ubahirizwa***

*Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015.Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 30 Myandagaro 2026, abantu bashika 876 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n'imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi789 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero*.

**Ishirahamwe Iteka:**

- **« Ni umunywani w'ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afrika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu(FIDH),**
- **Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umugwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.**
- **rigizwe n'Inani mpuzamashirahamwe 17 ku ntara hamwe n'ibisata 32 ».**

[1] *https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54*


RWANDA
BUTANYERERA
BUJUMBURA
BUHUMUZA
GITEGA
LAKE
TANGANYIKA
DRC
TANZANIA
BURUNGA
N
E
S
W

## URUTONDE RW'IBIRIMWO


IMPFUNYAPFUNYO........................................................................................................................................4

I. INTANGAMARARA ....................................................................................................................................5

II. AMABI Y'IHONYANGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU.......................................................................8

II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE.................................................................8

II.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA ..................................................................................................8

II.1.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE ...........................................................................................................8

II.1.1.2. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO ......................................................................9

II.1.1.3.UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAKURWA ..........................................................................10

II.1.1.3.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA NO GUSUZUGUZA.......................................................................................................................................10

II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU .......................................................11

II.1.2.UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO.......................................................................................13

II.1.2.1.UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO.........................................................................13

II.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA......................................................14

II.2.1.IHUNGABANA RY'UBUTUNZI.......................................................................................................14

II.2.2.UBURENGANZIRA KU NDERO....................................................................................................15

II.3. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI ...................................................................................................17

II.3.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA ...................................................................................................17

III. UGUSOZERA N'IBISABWA.................................................................................................................17

**AGNU** : Inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe

**ECOFO** : Ishure shingiro

**CNDD-FDD** : I*nama y'igihugu iharanira demokarasi-urunani rukingira demokarasi*

Inama y'igihugu

**CNL** :Inama y'igihugu iharanira umwidegemvyo

**CNIDH** : **Umugwi wigenga wigenga ujejwe agateka ka zina muntu**

**CENI** : ***Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw'igihugu***

**CEPI** : *Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw' intara*

**CEEAC** : Ishirahamwe ry'ubutunzi ry'ibihugu vya Afirika yo hagati

**CIDE** : **Amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka k'abana**

**DESC** : **Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama**

**FRODEBU**: Urunani ruharanira demokarasi mu Burundi

**FDLR** : Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda

**OPJ** : Inyamiramabi

**ONU** : Amashirahamwe y'ibihugu vya Buraya

**PNB** : Igiporisi c'igihugu c'uBurundi

**RDC** : Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo

**UPRONA** : Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu

**VSBGs** : Amabi afatiye ku gitsina

**SNR** : **Igendereza ry'igihugu**

## *I. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo c'ukwezi kwa Myandagaro 2026 kivuye mu ruvange rw'ivyegeranyo Iteka n'Ijambo vyo kundwi ku ndwi kuva kuri nomero 538 gushika kuri 541.Ico cegeranyo cihweza inyifato y'agateka ka  zina muntu.Kiragaruka ku burenganzira bw'abantu no muri politike hamwe n'uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama.Co kimwe n' uburenganzira bw'imigwi canecane      uburenganzira bw'abana.Ico cegeranyo kirangiza mu mpera n'uguszera hamwe n'ibisabwa.

Gutyo,agateka k'abantu no muri politike muri kino cegeranyo co muri kuno kwezi kaboneka ugukwirikira: abantu 28 barishwe harimwo 15 batowe ibiziga bikwiragiye mu burere butandukanye,abantu 2 baborejwe igufa,abantu 5 bakorewe amabi       afatiye ku gitsina bose bakaba ari abagore bashurashujwe. Mu bakorewe amabi 8 ni abagore harimwo abagore 3 bishwe n'abagore 5 bashurashujwe.Abantu  barahagaritswe,bose b'abagabo.


Imbonerakure,abapolisi, abo mu ntwaro  n'abasirikare hamwe n'abandi bantu batari kure y'abanywanyi b' umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD baradomwako urutoke nk'abikekwa ko  menshi muri ayo mabi ku gateka ka zina muntu n'ubwicanyi.

Naho ababikoze bamwe bataramenyekana,ukuntu vyakozwe kenshi bisa n'ibikorwa n'iyo migwi yavuzwe.

### *I.1.IKIGARA C'AMABI Y'IHONYANGWA RY'AGATEKA K'ABANTU NO MURI PORITIKE.*

***Igicapo1: Ikigara cerekana cerekana amabi nyamukuru y'ihonyangwa ry'agateka k'abantu no muri politike yibonekeje mu Burundi muri Myandagaro 2026.***

| Aho vyabereye / Intara | Igitigiri c'abakozweko | | | | | Bose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| | Ugu hagarikwa | Ukunyuruz wa | Ukubore zwa igufa | Ubwicanyi | Amabi afatiye ku gitsina | |
| Buhumuza | 1 | 0 | 0 | 2 | 0 | 3 |
| Bujumbura | 8 | 0 | 2 | 1 | 2 | 13 |
| Burunga | 0 | 0 | 0 | 6 | 3 | 9 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 6 | 0 | 6 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 13 | 0 | 13 |
| Zose hamwe | 9 | 0 | 2 | 28 | 5 | 44 |



*I. INTANGAMARARA(Ibikurikira5)*


Ico kigara kiri hejuru cerekana imigwi 5 y'amabi mu ntara 5 zitandukanye z'igihugu harimwo Bujumbura na Gitega ziza kw'isonga aho agateka kazina muntu kahonyanzwe gusumba izindi ku bantu 13 imwe yose, zigakurikirwa na Burunga ku bantu hanyuma Butanyerera ku bantu 6,hagaca haza Buhumuza ku bantu 3 .

Gutyo,muri kuno kwezi kwa Myandagaro 2026 kwa kino cegeranyo,umuhari Iteka waharuye 44 bakorewe amabi ku gateka k'abantu no muri politike ku butaka bwose bw'igihugu.

Ayo mabi agabuwe ahanini ugukwirikira: abantu 28 bishwe, abantu 5 bakorewe amabi afatiye ku gitsina ,abantu 2 baborejwe igufa na 9 bahagaritswe.

***Ikigara 2: Ikigara cerekana abantu nyamukuru bikekwako uguhonyanga agateka ka zina muntu no muri politike mu Burundi muri Myandagaro 2026***

| Abikekwako ivyaha | Buhumuza | Bujumbura | Burunga | Butanyerera | Gitega | Zose ham |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Abaporisi | 1 | 3 | 0 | 0 | 1 | **5** |
| Iperereza | 0 | 1 | 0 | 0 | 0 | **1** |
| Iyindi migwi | 0 | 2 | 2 | 1 | 0 | **5** |
| Abantu batamenyeka-nye | 2 | 1 | 4 | 3 | 6 | **16** |
| Imbonerakure | 0 | 1 | 1 | 0 | 0 | **2** |
| Ahishwe utwana | 0 | 0 | 1 | 0 | 2 | **3** |
| Ukwihorana | 0 | 0 | 1 | 2 | 4 | **7** |
| **Vyose hamwe** | **3** | **8** | **9** | **6** | **13** | **39** |





Kubwo ikigara,ku mabi yose yaharuwe y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu muri kino kiringo ca Myandagaro 2026, ayakozwe n'abantu batamenyekanye biboneka ko ariyo menshi ku bantu 16,agakurikirwa n'umugwi "ukwihora"incuro 7 hamwe n'iyindi migwi nk'abigenga harimwo abadandaza ku ncuro 5, hanyuma amabi akozwe n'abaporisi incuro 5,amabi yakozwe n'imbonerakure incuro 2.Abo mw'iperereza incuro 1.

Twomenyesha ko abana bishwe incuro 3.

*I. INTANGAMARARA(Ibikurikira urupapuro 6)*

***gicapo 3: Ikigara cerekana ibintu nyamukuru vyakozwe n'abo mu ntwaro inyuma y' ihonyanyanga ry' agateka ka zina muntu ryibonekeje .***

| Ubwoko bw'amabi | Igitigiri c'amabi | Igitigiri c'ivyakozwe | Ntacakozwe |
|---|---|---|---|
| Uguhagarikwa | 3 | 1 | 2 |
| Ukunyuruzwa | 0 | 0 | 0 |
| Ukuborezwa igufa | 2 | 0 | 2 |
| Ubwicanyi | 27 | 21 | 6 |
| Amabi afatiye ku gitsina | 5 | 4 | 1 |
| **Yose hamwe** | **37** | **26** | **11** |




Muri iki kiringo cizweko,yose hamwe amabi 37 niyo yaharuwe,muriyo 26 hari icakozwe,ari ahanini mu migwi 3.Vyinshi mu vyakozwe ni ihagarikwa ry'abikekwako ivyaha kugira hakorwe amatohoza y'ubutungane.Ibindi vyakozwe, nk'ugutegura ugushingura abishwe,birimwo abarongozi batanga ayo mategeko atanarinze kugira amatohoza bijanye.

Amwe mu mabi yaratorewe inyishu mu guhagarika no gucira imanza abayakoze,bigatuma bapfungwa,mugihe ayandi aguma ariko arakurikiranwa,bifatanye n'amatohoza y'ubutungane.

## II. IHONYANGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU

### *II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI PORITIKE*


*UBurundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'ukwigenga na politike(1965) hamwe n'amategeko yaryo mpfatakibanza (1976) ntabanduka kuwa 9Rusama 1990,icatumye mu ntumbero yo kuyashira mungiro,uBurundi bufata ingingo ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo kuwa 7 Ruheshi 2018(Itegeko kizigenza) mu ngingo yaryo 19 ivuga koamategeko yose yasomwe kandi agashigwaho n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono ko ashizwe ashizwe mw'iryo bwirizwashingiro,amategeko arishira mu ngiro yarashizweho nko mw'itegeko mpanavyaha ryo kuwa 29 Kigarama 2017 no mw'itegeko rishira mungiro ibihano ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi yarashizweho.*

### *II.1.1 .UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. 1. UBWICANYI BUTEGUWE*

Mu kiringo c'iki cegeranyo,umuhari Iteka waharuye abantu 28 bishwe,harimwo ibiziga 15 vyatowe,mu burere butandukanye bw'igihugu. Mu bantu 28 harimwo abagabo 25 n'abagore 3. Muri abo bapfuye harimwo abakuze 22 n'abana 6.

| Intara | Incuro bishwe | Igitigiri c'abishwe | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Ubwicanyi | Ibiziga | | |
| **Buhumuza** | **2** | **1** | **1** | **2** | **0** |
| **Bujumbura** | **1** | 0 | 1 | 1 | 0 |
| **Burunga** | **6** | 3 | 3 | 6 | 0 |
| **Butanyerera** | **6** | 3 | 3 | 5 | 1 |
| **Gitega** | **12** | 6 | 7 | 11 | 2 |
| **Zose hamwe** | **27** | **13** | **15** | **25** | **3** |




⇒ ***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1:*** Umuryango warafunditse mu gitero c'igisasu ntezwantoke catewe mw'ijoro ryo kuwa mbere igenekerezo rya 3 Myandagaro 2026 ku mutumba Nyagoba,muri komine ya Karusi,mu ntara ya Gitega. Uwurongoye umuryango n' umuhungu wiwe biciwe aho nyene,mu gihe umugore wiwe n'abakobwa 2 bakomeretse cane.

Ku bwo ivyabona,ico gitero cabaye hafi y'isaha zitatu z'ijoro. Abantu batamenyekanye bateye igisasu ntezwa ntoke muhira kwa Blaise Riyazimana, mu gihe umuryango wose bari hamwe bariko barafungura mw'ijoro.

Serugo, Blaise Riyazimana, n'umuhungu wiwe Noël Gakizakimana bateye bapfa ubwo nyene.

## *II.1.1 UBURENGANZIRA KU MUBANO (Ibikurikira urupapuro 8)*

Amakuru yemejwe na Anaclet Ndihokubwayo, uwatowe kuri uyo mutumba Nyagoba. Avuga ko umugore w'uwo yapfuye Aline Murekerisoni, hamwe n'abana babo 2 b'abakobwa,Jeanine Yihamashi na Bénigne Niyonkuru, barakomeretse cane. Abo bakomeretse babanje kubashikana ku bitaro vya Natwe Turashoboye vy'i Karusi.Nyina w'abana n'umwana muto yitwa Bénigne bari mu bitaro kuri iryo vuriro mugihe Jeanine yarungitswe ku bitaro vyitiriwe umwami Khaled vy'i Bujumbura.

Imvo z'ico gitero ntiziramenyekana kandi nta nzira n'imwe yo kuronderamwo kandi amakuru yegeranijwe ku mutumba Nyagoba i yerekanako ata n'umwe yikekwa arahagarikwa.

Abahaba basaba ko amatohoza yimbitse yotangura kugira ngo abakoze iryo bara barengutswe imbere y' ubutungane.

---

***Ak2:*** Umugabo yitwa Nizigiyimana Dieudonné,umunywanyi wa CNL, w'imyaka 35 ,yarishwe mw'ijoro ryo kuwa gatanu igenekerezo rya 28 2026rishira ku wagatandatu ku mutumba Gerangabo,muri zone Rwisabi,muri komine Bugendana,mu ntara ya Gitega.

Kubwo amakuru twatohoje mu babanyi biwe,amahane hagati y'uwo yishwe n'uwagirizwa ubwicanyi yoba yatanguye igihe barimu rubanza barimwo kuri uyo mutumba nyane wa Gerangabo.

Hafi y'isaha zine z'ijoro,uwikekwko ishaha zine z'ijoro,uwo yagirizwa ubwicanyi yoba yarindiriye mw'ibarabara Nizigiyimana Dieudonné,imbere yo kumukubita no kumucumita mu rubavu. Akomeretse cane,yoba yahitanywe n'ibikomere,kubw'ayo masoko nyene

Ayo makuru yemezwa na Habumukiza Floribert,arongoye zone Rwisabi.Uyo mutware avuga ko uwikekwako icaha ,azwi kw'izina rya Ndikuriyo Jean Pierre,yahgaritswe hanyuma ashirwa mu gasho ka zone Rwisabi.Kubwo iyo ndangozi amatohoza yaratanguye kugira imvo z'ubwo bwicanyi

***Ak3:*** Kuwa 25 Myandagaro 2026,hafi y'isaha icenda z' igitondo, abaporisi 6 bavuye i Bugendana barakikuje urugo rwa Joseph Bandora, abaku gacimbiri Buhoro, kari ku mutumba Gaterama, muri zone Bitare,muri komine ya Bugendana, mu ntara ya Gitega. Joseph Bandora yoba yari mu matati y'amatongo afitaniye n' uwitwa Evariste.

Kubwo amasoko yacu, Joseph Bandora yoba yararenganijwe, ivyatumye abanyagihugu bamwe bamwe bakorana kugira babuze ihagarikwa ryiwe gushika aho amatati azotaturwa n'ubutungane. Mu gihe c'icuka cakurikiye,igiporisi catanguye kurasa,bituma hapfa Nshimirimana Désiré, w'imyaka 25 , umuhungu Ndindayaha Fidel na Sinzobakwira Marie, bava kuri uyo mutumba nyene Gaterama. Munyuma,ubtabazi bukomeye bw'abaporisi bavuye Bugendana barashitse ariko ntibashoboye gufata Joseph Bandora. Hafi y'isaha imwe,abanyagihugu barugaye ibarabara rihuza Bugendana na Kibimba, bugara hirya no hino gushika inyuma y'umutaga.

Ibintu vyarafashwe mu ntoke igihe komiseri w'igiporisi mu ntara ,komiseri muri komine na musitanteri wa komine,hamwe n'ubufasha bw'abaporisi bukomeye bw' igiporisi kivuye muri komisariya yo mu ntara. Kubwo amasoko yacu,iyo abaporisi batahaseruka,ingaruka zari ku a mbi cane.

Naho biri uko,abanyagihugu babandanya basaba ko Evariste yohagarikwa kandi akarengutswa imbere y' ubutungane,kugira ahanwe ku vyo yakoze muri ayo matati kandi kugirango harwanye ayandi mabi.


### *II.1.1.2. UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAGURWA KU RUKOBA NO MU VYIYUMVIRO*

Ibwirizwa shingiro ry'uBurundi mu gace karyo ka 21 rivuga ko "Nta n'umwe wo gukubagurwa,gupfungwa canke gufatwa bunyamaswa".Kuri ivyo hiyongera ko itegeko n°1/04 ryo kuwa 27 Ruheshi 2016 rivuga ku gukingira abakorewe amabi,ritmora uburenganzira bw'abahuye n'ivyago kandi rigategekanya ingingo zo gukingira ubwisanzure bwabo.Ivyo vyerekana neza igihugu ciyemeje gukingira abanyagihugu mu mpande zose.

### *II.1.1.3.1. UKUBOREZWA IGUFA, UGUPFUNGWA N'UBUNDI BUNYAMASWA CANKE AGASUZUGURO*

Muri uku kwezi kwa Myandagaro 2026,umuhari Iteka waharuye abantu 2 bafashwe bunyamaswa mu ntara ya Bujumbura. Twomenyesha ko ibikorwa bimwe bimwe bigereranywa n'ugukubagurwa bigaragarira ku bantu bari mu busho mu burere bwa b'ibiro vy'iperereza (SNR)ku bwo imiryango yabo.

| Intara | Incuro baborejwe igufa | Igitigiri c' ababorejwe igufa | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Bujumbura | 2 | 2 | 2 | 0 |
| Burunga | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Zose hamwe | 2 | 2 | 2 | 0 |




***Ivyatohojwe :***

***Ak1:*** Kuwa gatanu igenekerezo rya 28 Myandagaro 2026,hafi y'isaba zine, Mertus Mpayimana, umugabo w'imyaka 30 kandi serugo,yakora akazi ko kugendesha ipikipiki igihe yarahagaze ngo abaporisi barabe ko akwije ivyangombwa vyo mw'ibarabara.umuporisi yitwa Samson yagerageje kumuca amahera,yitwaza ko uwugendesha ipikipiki yanse kumuha amahera 2000 kuwa mbere igenekerezo rya 24 Myandagaro 2026. Naho uwo agendesha ipikipiki yisiguye,umuporisi yagumye amusaba kumuha amahera 90 000 Fbu.

Kubera yagumye yanka kuriha ayo mahera, Samson n'abo bakorana baciye bamwandikira igitasi kidasiguritse. Agiye kw'idirisha muri poste kuriha ihadabu,uwo agendesha ipikipiki hamwe n'umukozi wa banki babonye ibintu bidasa: amahera yanditse mu biharuro,ntahura nayanditswe mu majambo. Merthus Mpayimana gutyo yacie agenda ku

## *II.1.1 .UBUR ENGANZIRA KU BUZIMA(Ibikurikira urupapuro 9)*

kirindiro c'igiporisi ca zone Rugajo mu ntumbero yo gukosora iryo kosa.

Bumiwe n'ukumenya ko uwugendesha ipikipiki yatoye kuriha ihadabu aho gutanga igiturire bamusavye,umukuru w'ikirindiro, bita Yves, yamuteye umugere udasanzwe kw'itako,bituma avunika bunonyene. Uwo munsi,abaporisi, nka Samson na Yves,bakoze ivyo baracidegevya.

Kubera kubura uburyo mukuronka ubuvuzi bubereye mu bitaro,uwo bavunye, yashinyiriza agenda kwivuza muba vuzi kama ba kera.Abagendesha amapiki ndetse n'ivyabona vy'ivyabaye basaba kwugurura urubanza muri sentare hamwe no kujana vyihuta kwa muganga uwo yavunywe.

---

***Ak2:*** Mw'ijoro ryo kuwa18 Myandagaro 2026, hafi y'isaha zibiri, ku mutumba Busonga,muri komine Mpanda mu ntara ya Bujumbura, Jean-Claude Kenese,uwikekwako ubusuma,ava kuri uyo mutumba, yarakubaguwe, aracumitwa hanyuma araturirwa n'Imbonerakure zamufatanye umufuko yivye.

Kubwo amasoko yaho, yatawe yataye ubwoba kandi bamuta nk'uwugiye gupfa mw'itongo atawuririmwo ry' umuntu yitwa Didace,umusore yatowe n'abavyeyi wiwe aremvye. Abo bavyeyi,bamunyarukanye kwa muganga bamuhetse ku bitaro vy'i Gihanga.


Kubwo ayo masoko nyene, uwo yakubiswe yaheruka guhunguka ava muri RDC kandi nta buryo afise bwo kwivuza. Uwo munsi,abakoze ayo mabi ntibigeze bashaka kubamenya ntibanakurikiranwe.

### *II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA*

Muri iki kiringo ca kino cegeranyo.umuhari Iteka waharuye kuri bose abantu 5 bakorewe amabi afatiye ku gitsina ku butaka bwose bw'igihugu.Twomenyesha ko abakorewe amabi bose ari abagore n'abakobwa bashurashujwe harimwo abana b'abakobwa 4.

Muri ico kigara kiri musi,uko bari intara ku ntara birerekana ivyo biharuro. Burunga iza kw'isonga ku bantu 3,igakwirikirwa ubwo nyene na Bujumbura ku bantu 2.

| Intara | Incuro z'amabi afatiye ku gitsina | Igitigiri c'abakorewe amabi | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Amabi afatiye ku gitsina | Gufatwa ku nguvu | | |
| Buhumuza | 0 | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Bujumbura | 2 | 0 | 2 | 0 | 2 |
| Burunga | 3 | 0 | 3 | 0 | 3 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Zose hamwe | 5 | 0 | 5 | 0 | 5 |



### *II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA (Ibikurikirira urupapuro 12)*

⇒ ***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1:*** Ku wa mbere igenekerezo rya03 Myandagaro 2026 hafi y'isaha cumi na zibiri z'umugoroba,muri karatiye Majambere, muri zone Rutana, muri komine Rutana mu ntara ya Burunga, umwigeme w'myaka 7yafashwe ku nguvu na Batungwanayo Jackson w'imyaka 37.Yamukatishirije iwe igihe yaragiye gusyesha ibigori kubera yaba hafi y' urusyo. Umwana bamutoye ariko ararira,avuga ivyamubayeko hanyuma anyarukanwa ku bitaro mu Rutana kugira bamukingire umugera hamwe n'izindi ndwara zandukira biciye mu mibonano mpuzabitsina mugihe uwikekwa ko icaha yajanywe mu gasho ka komisariya ya komine Rutana.

---

***Ak2:*** Kuwa 15 Myandagaro 2026, hafi y'isaha indwi z' umurango,ku mutumba gatobo, muri zone Rusabagi, muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga, Hafashimana Emelyne, w'imyaka 32 ,nyina w'abana batanu aba kuri uyo mutumba nyene yarafashwe ku nguvu n'uwitwa Nemeyimana Félix, Imbonerakure, agendesha ipikipiki wo kuri uwo mutumba nyene yaramuhagaritse igihe yaragiye mu rubanza. Kubwo uwo vyabayeko ,yahuye n'uwo mugizi wa nabi mu nzira,yicaye afise n'inkinyobwa bita Bangala hanyuma arahaguruka agendera inyuma yiwe hanyuma amuhagarika kimwe na kimwe,acatangura kumukubagura hamwe n'umwana yarahetse mu mugongo. Yarakomye induru atabazaariko arabura gitabara,kubera aho hantu hari kuri y'imihana.

Yamufashe ku nguvu inyuma yo kumutaburirako impuzu ziwe kandi yamusize afise ibikomere mu maso. Uwo yafashwe ku nguvu yarashoboye guterefona uwurongoye agacimbiri aca amujana ku kigo c' ubuzima ca Gatobo aho yarwariye iminsi 3 kugira akuriiranwe,avurwe. Asohotse ibitaro,yaritwaye muri komisariya ya komine kugira akwirikiranwe n' ubutungane. Uwikekwa ko icaha yarahunze abifashijwemwo na mwenewabo arongoye umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD muri zone. Kubwo ivyabona vyo mu karere,indongozi zaho ntizamenyesheje ivyo vyabaye.

---

***Ak3:*** Inkuru Umuhari Iteka waronse kuwa 24 Myandagaro 2026 ivuga ko ku mutumba Gisagara,muri zone Mubimbi, muri komine Isare, mu ntara Bujumbura, umwana akiri muto w'imyaka 16 yitwa M C M, umunyeshure wo mu mwaka wa 6 mw'ishure nshingiro rya Gisagara, yafashwe ku nguvu kuwa 8 Myandagaro hafi y'isaha zine z'ijoro na Jérémie Nkeshimana.Ivyo vyabereye mu rubanza rwabereye impande yo muhira y'uwikekwa. Jérémie Nkeshimana yahahuriye n'umukobwa imbere yokumujana iwe akamutegeka kumushurashuza.Inyuma yo kumushurashuza, yamutegetse kugenda, ariko kubera amasaha yari yagiye, uwo mukobwa yaranse gutaha mw'ijoro wenyene . Mugihe iryo bara ryagwa,umugabo w'imyaka hafi 43,se w' abana 4,nawe nyene yaraborejwe igufa hanyuma avunika itako.


Batewe amakenga n'umwanya yamaze atari muhira,abavyeyi b'umukobwa baramubajije bukeye mugatondo. Umukobwa rero yamenyesheje ko yaraye kuri uwo yikekwa. Buno nyene yajanwe ku kigo c'ubuvuzi ca Mubimbi kugira bamukurikirane,co kimwe n'uwo mugabo yakomeretse.Kuvyerekeye uwamushurashuje,yarahagaritswe hanyuma arapfungwa muri komisariya y'igiporisi mw'Isare.

### *II.1.2. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*

### *II.1.2.1. IHAGARIKWA RICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

Bose hamwe,abantu 9 bahagaritswe baraharuwe ku butakabwose bw'igihugu mu kwezi kwa Myandagaro 2026 kugizwe n'iki cegeranyo. Ku ncuro 3 zaharuwe,abantu 9 barahagaritswe kandi bose b'abagabo. Nk'uko ikigara kiri musi kivyerekana,Bujumbura yahagaritswe mwo abantu 9 hama Buhumuza umuntu umwe.

| Intara | Incuro z'abahagaritswe | Igitigiri c'abafashwe | Abagabo | abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Bujumbura | 2 | 8 | 8 | 0 |
| Burunga | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Zose hamwe | 3 | 9 | 9 | 0 |




⇒ ***Uburorero buvyerekana :***

***Ak1 :*** Kuwa 18 Myandagaro 2026, ku mutumba Runihira, muri zone Mwiruzi,muri komine Gisagara, mu ntara ya Buhumuza, Ephreum Ciza wo kuri uyo mutumba agendesha ikinga yasekanye n'umukuru wa zone Mwiruzi, Jean Bizimana yari kw'ikinga nawenyene.

Ephrem Ciza yagirijwe kuba yateje isanganya abishaka hanyuma ajanwa mu gasho ka komine Gisagara.

Ashitse mu gasho,ivyaha bitatu nyamukuru nivyo yagirizwa: Kuba yateye impanuka abishaka ku murongozi wa zone,kuba adadaza inzoga zitemewe n'amategeko hamwe no kuba ari umunywanyi wa FNL,umurwanyi wa Aloys Nzabampema

Kubwo amasoko yaho,Ephrem yasabwe incuro nyinshi kwinjira mu mugambwe CNDD-FDD hanyuma uwo nawe akavyanka.

Kandi yoba yarankiye umugore wiwe kuja gutamba mw'ishirahamwe ry'abakenyererarugamba,umuhari w'abakenyezi bo mu mugambwe uri ku butegetsi.

Ephrem Ciza ubu ari mw'ibohero rya komine ya Gisagara, ivyo abaharanira agateka ka zina muntu bafata ko ari uguhonyanga ku mugaragaro agateka ka zina muntu.

---

***Ak2:*** Kuwa 13 Myandagaro 2026,ku mutumba Mutara,muri zone Muzinda, muri komine Bubanza mu ntara ya Bujumbura, abantu babiri harimwo umukuru wa zone Muzinda hamwe n'indongozi z'imitumba hamwe n'

*II.1.2. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO (Ibikurikira urupapuro13)*

uducimbiri ka Mutara barahagaritswe hanyuma bashirwa mu gasho ka zone Muzinda.

Ukwo guhagarikwa,vyaje inyuma y'igikorane kuri uyo mutumba nyene,aho haje abatumire 180 bavuye hanze,nko mu Rwanda, muri Tanzanie, Kenya na Ouganda.

Indongozi zarabajijwe kuri ukwo kuza no kwakira abo banyamahanga mu ntumbero y'ikoraniro ry'ishengero ryitwa « Eglise baptiste réformée ».

Ubu bapfungiwe mu gasho ka zone Muzinda, Bakurikiranwa n'urubanza rurongowe n'iperereza .

Kubwa indongozi za zone Muzinda, iyo sengero rirazwi imbere y'amategeko mu mushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu,kandi hanyuma uruhusha rwo kugira igikorane bararubahaye ku mugaragaro.Indongozi zahagaritswe zisaba kumenyeshwa ico bagirizwa kandi bakamenyeshako bahagaritswe hadakurikijwe amategeko.

---

***Ex3:*** Mw'ijoro ryo kuwa 25 Myandagaro 2026, muri zone ya Buterere,neza na neza impande y'ishure yitwa chez Rukara, muri komine Ntahangwa mu ntara ya Bujumbura, harabaye ihagarikwa ry'abantu 6 harimwo abasirikare 5 n'umuporisi 1. Bagirizwa gukorana n' abarwanyi kandi bagatanga amakuru kwa Bob Rugurika, umuyobozi wa RPA na Pacifique NININAHAZWE, arongoye FOCODE. Umwe muri bo yitwa Ndikumasabo Desiré,umusirikare w' igisongerezi mu ntwazangabo afise ipete rya adjudant n'uyundi yitwa caporal-chef Manirambona Jean Marie bita kenshi James.Kubwo amakuru umuhari Iteka waronse,ni Jamesyarafise mu sakoshi yiwe impapuro zo gukorana, amakete n'imigambi ya Bob kandi ni wenyene yagiriza abandi kuko niwe abajije ubwa mbere n'igiporisi n'iperereza bo muri komine Ntahangwa aho yarapfungiwe mu minsi ibiri ya mbere. Bri mu vyumba bitandukanye,James yari wenyene mu cumba mugihe abandi 5 bari hamwe.Kuwa kane,igenekerezo rya 27 Myandagaro 2026, abo bane tutitaye ku myidondoro yabo bararekuwe hanyuma adjudant Desiré Ndikumasabo na caporal-chef Jean Marie Manirambona bungururijwe mu biro vy'iperereza impande y'isengero Ryitiriwe Regina Mundi.

### *II.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA*

*Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama bufatwa nk'uburenganzira bwo ku rugezo rwa kabiri,buri mu masezerano mpuzamakungu ajanye n'uburenganzira bw'ubutunzi,imibano n'imico kama.Uburundi bwaremeje ayo masezerano kuwa 14 Ntwarante 1990 kandi bwarayashize mw' ibwirizwa shingiro ryo mu 2018,nko mu ngingo ya 19.Ico ubwo burenganzira bwiharije ni uko bushirwa mu ngiro intambwe ku yindi,bitandukanye n'uburenganzira bw'abigenga na poritike.Ama Reta yabushizeko umukono,harimwo Burundi, yiyemeje gushira mungiro ubwo burenganzira bivanye n'uburyo bafise.*

### *II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

Muri Myandagaro 2026, Uburundi bwaguye mu bihe bigoye,vyaranzwe n'ihonyangwa rikomeye ry'imibano n' ubutunzi.Intara ya Bujumbura,cane cane,yarabaye ikirimbiro ry'ibihuha biteye amakenga ku vyerekeye imiriro ikora ku masoko.Mu mpera za Mukakaro,isekeza ryo kuyatunganya gushasha ryaribonekeje mu masoko menshi ateye imbere yaho,ririmwo abadandaza,abakomiseri hamwe n'abarongoye umugambwe CNDD-FDD.Naho bategekwa gusubira kwubaka utuzu tw'ubudandarizo dushasha hakoreshejwe ivyuma,abadandaza bagumana amakenga.Itotezwa ry'umuriro ryarabasenyaguye,cane cane inyuma y'imiriro yatokombeje amasoko nka Gasenyi na Cibitoke.

Muri birigade ya Cibitoke,ikamyo imwe yonyene izimya yari izimvye cane,kenshi na kenshi ikanajanwa kuvoma amazi y'igiporisi,mugihe urubeya rwariko rururumbika mu gisagara. Mu bihe bisanzwe bitoroshe,ubugenduzi buteye amakenga bwarakozwe n'abantu bibaza ko barungikwa n'iperereza. Abo bagenzura amasoko,bakihweza inyubakwa zafatwa nk'izorohereza ubutabazi bwihuta,bigatuma gutyo haba icuka c'ubwoba kirenze.Muri ico gihe nyene,abitwa ko ari abavugabutumwa baragenda mu bice nka Mabayi, Nyeshenza na Rugombo,bamenyesha ibihano vy'imana kuri

## *II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI (Ibikurikira urupapuro 14)*

ubwo burere,kubera ibikorwa bafata ko bitandukanye n'ubugombe bw'Imana.

Kuwa 21 Myandagaro,akaga kabaye i Bujumbura aho inyubakwa z'ubudandarizo, « Galerie Ndayizamba »na « Galerie Le Parisien », vyasha.Iryo sanganya,ryatanguriye kuri Galerie Ndayizamba, ryarashwaye iyo nyubakwa ihegereye,bituma hatikira ibitagenda ku badandaza benshi.Ivyavuzwe vyari ivyo umwiheburo aho bamwe bemeza ko batakaje vyose,baharura ivyo batakaje mu ma miriyaridi y'amafaranga y'amarundi.Nk'inyishu kuri ako kaga,ibihangange nk'icegera c'umukuru w'igihugu Prosper Bazombanza yarahishikiyese,avuga ko yifatanije n' abagize ingorane,anatanga impanuro kugira hakomezwe umutekano w'ibidandazwa kuri ivyo vyaduka.Mu rwamo rudasanzwe,ukumenyesha ko yibaza ko umuriro wavuye kw'ipasi vyaratumye abari babonye uko vyatanguye batangara bongera baterwa n'isoni.

Ako kagakaje mubihe bisanzwe birimwo ucuka kibi,kubera ayandi masoko mu gihugu yaheruka guhitanwa n' umuriro.

Ivo bintu vyisubiriza bibandanya bituntuza imitima,bikagwiza umwiheburo ku vyerekeye kazoza k'ubutunzi bw' igihugu.

Kuwa 25 Myandagaro,umuvumo w'imiriro warabandanije mugutabagaza inyubakwa mu Kayanza,utuma hasha ibintu vyose vy'abantu 4,ivyabaye n'umuyagankuba wacitse.

Kuri uwo musi,isoko ryo mu Kinindo,riri i Bujumbura,naryo nyene ryarahitanywe n'umuriro w'icaduka,utuma abadandaza basigara mu mwiheburo mugihe umwotsi wagera ku gicu.

Ivyahatakariye vyaharurwa mu ma miriyoni,bikaduza icuka kibi kihasanzwe.Munyuma y'urwo rukurikirane rw' imiriro,umushikiranganji w'ubudandaji,Alain Ndikumana,yarishikiye aho vyabereye,yemera amatohoza yimbitse ku biwutera,mu kugumana amakenga kuco bigamije.

Kuri ivyo bintu biteye agahinda,Reta yafashe ingingo ko izogira ico ikoze,mugutanga agashimwe ku wuzotanga amakuru yereka abaturira,yongera itegeka amasaha y'ukugara mu ntumbero y'umutekano w'amasoko.Muri iki cuka c'ubwoba n'umubabaro,abanyagihugu baribaza kuvyerekeye abagirizwa iyo miriro vy'ukuri,bakavyita iterabwoba,mukwizera ko ingingo zitomoye zofatwa kugira bakinge ko akaga nk'ako kadasubira muri kazoza.

## *II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO*

Mu gisata c'ndero, Ubuurundi buherutse buherutse guhungabanywa n'ibintu vyakoze ku burenganzira ku ndero. Kuwa 12 Myandagaro 2026,mu gihe c'inama nshikiranganji,Reta yafashe ingingo yo gushira mu ngiro ibintu nyamukuru: ugutanga akazi ku bigisha bashasha 5000 bo mu mashure y'intango n'ay'isumbuye. Ivyo vyihutirwa vyatowe kubwo ikena ry'abigisha 14300 bafise ubushobozi mu gihugu. Gutyo,ukwo gutanga akazi,kizohagarikirwa n'inzego z'indero muri komine (DCE), bifise intumbero yo gutorera umuti iyo ngorane ikomeye mu gisata c'indero.

Ubushikiranganji bw'indero n'ubushakashatsi bwarashizeho amategeko atomoye kugira atomoye ingene abo bigishwa bashasha bazokwiragizwa,mu gufatira ku biharuro vyatanzwe n'ubuyoboziiii utandukanye mu ntara hamwe n'ibiro vy'indero muri komine. Muri iyo ntumbwiro,ubushikiranganji butegekanya gutanga akazi ku bigisha bafise ubushobozi mu mice itandukanye: Abigisha 995 bafise impamyabushobozi ya D6,abigisha 2 538 bafise impamabushobozi D7, abigisha 22 bafise impamya bushobozi A2, n'abigisha 1 445 bafise impamyabushobozi za Kaminuza. Kugira barabe neza ko igikorwa co gutanga akazi kiba mu muco kandi ataguhengama,harashizweho ikibazo kizokorwa.Kuva kuwa 14 Myandagaro 2026,imigwi harimwo abari mu ntwaro,mu ndero hamwe n'abaserukira amashirahamwe y'abigisha yarashizweho kugira agenzure ico gikorwa gikomeye.

Abishaka akazi bakoze ikibazo giheruka,nimba amazina yabo ari ku rutonde rw'abarindiriye kuronswa akazi,ntibazorinda gusubira gukora ikibazo.

Kugira hemezwe izo ntonde,imigwi y'ubushikiranganji izogenda hagati kuwa 20 na 23 Myandagaro mu biro bitandukanye vy'indero.Muri Mukakaro,ubushikiranganji bwari bwasavye abayobozi b'indero mu makomine gushira ahabona izo ntonde mu kuzimanika,igikorwa cashizwe mu ngiro mu biro vyinshi vy'amakomine,bikorosha kubimenyesha abarondera akazi biraba. Kubwo amakuru yatanzwe mu nama yanyuma y'abashikiranganji,Uburundi bwari bukeneye cane abigisha barenga 14300,et uyu mwaka hafashwe ko hazotangwa akazi ku bigisha 5000 bivanye n'ubushobozi bw'ikigega ca Reta. Umunyamabanga mukuru wa Reta yamenyesheje ko amahera arenga imiriyaridi 17 z'amafaranga y'amarundi ariyo yategekanirijwe ico gikorwa co gutanga akazi no guhemba abo bigisha bashasha,mu

ntumbero y'impinduka iherutse kumenyeshwa kugira igisata c'indero gitere imbere.,abakuze n'abato,baja mu bihugu bibanyi,I Buraya,canke no mu bihugu vy'abarabu,bose mu ntumbero zo kurondera ahari ubuzima bugendeka.

Iyi myaka yanyuma,abigisha benshi bafise ubushobozi barataye akazi ,abakuze n'abato,baja mu bihugu bibanyi,i Buraya,canke no mu bihugu vy'abarabu,bose mu ntumbero zo kurondera ahari ubuzima bugendeka.Ubuzima bubi abigisha babayemwo mu Burundi nibwo kenshi buza imbere mu gusigura ukwo kugenda. Ubukene,bwongerezwa no gushikira buhoro ivyankenerwa,ikena ry'amazi,umuyagankuba,hamwe n'iduga c'igiciro c'ubuzima n'amahera yo kuriha inzu babamwo,bituma akazi batagishobora kugakora.

Abigisha bamwe bamwe ,batagishoboye kwihanganira ubwo buzima,baruhira guta akazi kazo. Ivyo bifise ingaruka ku mashure n'abanyeshure,afise ingorane z'ikena ry'abigisha benshi.

Uwo mugambi wo gutanga akazi birateye icizeye kuri bamwe mubahejeje kaminuza bariko barondera akazi,bipfuza kuja gukora mu gisata c'indero.Naho biri ukwo,basaba ubushikiranganji bw'indero gushiramwo ishaka muri iryo tangwa ry'akazi ,mu ntumbero yo kurwanya akamwana wa mama hamwe no gukirikirana itorwa ry'abashaka akazi babifitiye ubushobozi gusumba abandi. Kubafise impamyabushobozi,kugira igikorwa kigende neza ntibizova gusa ku bitigiri vy'abigisha bahawe akazi,ariko kandi ku muco bakoresheje hamwe n'ubushobozi bwa Reta bwo gutora neza bishimikije ubushobozi.

Ikibabaje,abana baheba amashure ni benshi muri komine Muramvya,iri mu ntara ya Gitega. Umwaka w'ishure 2025-2026,igitigiri c'abaheba kirateye akoba cane,kandi amashure nshingiro yarakozweho cane. Kubwa M. Habonimana Remy,arongoye igisata c'inderro muri komine Muramvya,imvo nyamukuru harimwo ubukene,inda z'indaro, indwara,ukwimuka mu miryango hamwe n'ukurongorwa hakiri kare.

Abaheba amashure bateye umutima uhagaze kandi baravuzwe muri komine ya Cankuzo,mu ntara ya Buhumuza. Amakuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 17Myandagaro 2026 yamesheje ko abana 2 880 ,mu mashure shingiro n'inyuma ya shure nshingiro,barahevye amashure muri uyu mwaka w'ishure 2025-2026. Ico gitigiri gitye ubwoba vyerekana impinduka zitamenyerewe muguheba amashure. Ivyabona vyaho vyamenyesheje ko n'abana b'abigisha, abayobozi n'abadandaza bava mu miryango yifashe nabo barahevye amashure.Ivyo bintu bisa n'ivyarenze ikibazo gisanzwe kihari c'ubukene canke co kurondera akazi,bikerekana akababaro kari mu gisata c'indero hamwe n'ukubira akazi ku bahejeje amashure.

### *II. 3. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI*

#### *II.3.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA*

Uburenganzira bw'abana burakingiwe mu Burundi biciye ku masezerano mpuzamakungu araba agateka k'abana (CIDE)yashizweko umukono mu mwaka wa 1990.Igihugu caranemeje amategeko hamwe na poritike bikingira abana.

Iki cegeranyo co mu kiringo ca Myandagaro gishira ahabona inkurikizi zisa n'izikaze ku bana.Abashurashujwe benshi, hamwe n'ayandi mabi atagira izina yaravuzwe cane cane ayakorewe abakobwa bakiri abana nibo bakarirwa.Vyongeye,umuhari Iteka mu vyegeranyo vyawo vyo kundwi kundwi ntuhengeshanya gusemerera ku mabi menshi ababaje ateye agahinda.

Mu ma komine Musongati na Bururi,hamwe no muri Karusi na Gitega,ari mu ntara za Burunga naGitega,abana barishwe kandi batorwa ibiziga mu buryo butangaje kandi buhungabanya,hamwe no gukorora imbanyi ku bwinshi vyarabaye.

Ivyo bintu biteye agahinda vyerekana ko hokwihutirwa kandi aringombwa kugira igikorwa kugira bakingire abana bongere bakingire umutekano wabo.

## *III. UGUSOZERA N'IBISABWA*

Mu kiringo cakingo,itituka ry'agateka ka zina muntu ryagumye ryibonekeza mu burere butandukanye bw'igihugu.

Iki cegeranyo kirerekana aho agateka ku buzima bw'abantu gahungabana;ihohoterwa ku rukoba hamwe n' umwidegemvyo; uburenganzira bw'ubutunzi,imibano n'imico kama.

Kiragaruka kandi ku gateka k'abantu no muri poritike hamwe 'uburenganzira bw'ubutunzi n'imico kama ku vyerekeye ihungabana ryabwo kandi kikerekana umwitwarariko.Umuhari Iteka uridogera ukudahana ububisha bwibonekeje kandi usaba ibikurikira:

⇒ ***Kuri Reta y'u Burundi:***

1. Kubahiriza agateka ka zina muntu,nk'uburenganzira ku buzima,bw'ukudakubagurwa hamwe n'ubwo umwidegemvyo.

2. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana ububegito no guhana abakora amabi y' ihonyanga ry' agateka ka zina muntu bishure akabi bakoze.

3. Gutohoza hamwe no guhana bimwe bikomeye ihonyangwa ry'agateka k'abana hamwe n'ayandi mabi mu Burundi akorwa abatware hamwe n'abari mu mugambwe uri ku butegetsi barorera.

4. Gufata ingingo zijanye no gukingira amasoko hamwe n'ayandi matungo rusangi b'ayo abantu biganzira.

⇒ ***Kuri UE hamwe n'abandi bafasha muvyo ubuhinga n'uburyo mu Burundi:***

1. Gushigikira utwigoro tw'umuhari Iteka hamwe n'ayandi mashirahamwe aharanira gukingira agateka ka zina muntu mu vyerekeye ugukwirikirana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu Burundi.

2. Gukoresha ububasha bwabo mukugondoza abarongozi b'uBurundi bubahirize agateka ka zina muntu bongere basezerere ukudahana.